Umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko

Ivyerekeye umugambi

Mu mwaka wi 2011, Reta ya Australia yiyemeje gutunganya umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko.

Intumbero y'umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko ni:

Ugukwiza mu banyagihugu ba Australiya intahuro itomoye y'ic'ari co ivanguramoko, hamwe n'uko rishobora kwirindwa kandi rikagabanuka.

Intumbero z'umuugambi ni:

- Kumenyesha ivanguramoko n'uko rifata abantu hamwe n'abanyagihugu bose
- Kudomako urutoke,kumenyekanisha n'ugufatira ku ngendo nziza mu gukinga no mu kugabanya ivanguramoko
- Guha ububasha amakominote hamwe n'abantu ubwabo z'ugufata ingingo z'ugukinga n'ukugabanura ivanguramoko bongere bafashwe mu gihe bishitse

Umugambi wateguwe biciye mu bunywanyi burongowe na komiseri ajejwe ivy'ivanguramoko mu biro vya Australiya bijejwe agateka ka muntu.Abandi bari muri ubwo bunywanyi ni: Ubuyobozi buraba uruja n'uruza hamwe n'ubwenegihugu, Ubuyobozi bw'ingo n'imiryango, uburaro, ugufasha amakominote hamwe n'ibijanye n'abasangwabutaka, Inama nkuru ya Australiya ijejwe imico myinshi, Ikoraniro kaminuza rya Australiya ry'abantu bambere hamwe n'ishirahamwe ry'amakomite y'amakominote y'amoko yo muri Australia.

Umugambi uzotanguzwa hagati ya Mukakaro 2012 na Ruheshi 2015. Uzoba ushimikiye kwigisha abanyagihugu, ibikoresho vyo mu ndero, n'ukwitanga kw'urwaruka.

Ivanguramoko ni iki?

Ivanguramoko rishobora gufata uburyo bwinshi, nk'ibitebu,canke ukuvuga ibintu bibabaza, kwita izina umuntu, canke gutuka umuntu, uguhohotera canke ugutera ubwoba, ukuvugira ibintu mu binyamakuru canke kuri enterneti bigatuma hongerekana ukugirirwa nabi kw'imirwi kanaka. Ku rugero rwaryo rwo hejuru, ivanguramoko rishobora kuvamwo ukubabaza umuntu ku mubiri canke intambara.

Ivanguramoko rishobora gukumira abantu mu kuronka imfashanyo canke mu kuja mu vy'akazi, indero, inkino hamwe n'iibikorwa bihuza abantu. Rirashobora kandi kwaduka mu rwego rw'ikigo biciye mu mategeko canke mu ngendo zicinyiza imirwi imw'imwe.

Ivanguramoko rishikana ku budasa mu kuronka ibibanza, ibikoresho canke ubutegetsi mu bantu badasangiye ubwoko.

Ukwitwaza ko abantu b'ubwoko kanaka bari hasi canke hejuru ni ko gukoreshwa mu gusigura ubwo budasa.

Ni nde agirirwa ivanguramoko muri Australiya?

Inyifato y'ivanguramoko, nk'ukwita izina umuntu n'ugutukana, bishobora kwaduka hagati y'abantu b'ubwoko ubw'ari bwo bwose. Ariko rero muri Australiya, abantu bamwe barakarirwa n'ivanguramoko hamwe n'ikumirwa, canecane Abasangwabutaka (Aboriginal) hamwe n'abaje bava mu mazinga (Torres Strait Islander) hamwe n'ubwoko bw'inkehwa. Hari n'abantu bo mu madini amw'amwe bakumirwa kubera ubwoko canke imico yabo.

Kwumviriza Abantu

Twavuganye n'abantu muri Australiya yose hagati ya Ntwarante na Rusama 2012:

- Abantu bababa 700 bagize ibiganiro 23
- Twaronse amatohoza ya interineti arenga 1500 hamwe n'inzandiko 200

Ubutumwa buhambaye twaronse bwari uko ugufatira ingingo ivanguramoko ari ikintu nyamukuru cane.

Harabaye kandi ukwemeranya muri rusangi ku vyerekeye ibibanza vyoshirwa imbere mu gukorerwamwo, muri ibi harimwo:

- Ahakorerwa akazi
- Ibinyamakuru
- Amashure n'inyigisho yo hejuru
- Ubuzi bwa Reta
- Iinkuru zo kuri interineti
- N'inkino.

Ivanguramoko-rihagarikwa na twebwe

Uyu mugambi uteye akomo abantu bose bu mu makominote ya Australiya gukora akazi dutumbera ku kurangiza ivanguramoko. Ivanguramoko rihagarara kubera ingingo dufashe ku giti cacu canke nnk'umurwi.

Tuzokora iki?

Gukangurira abantu kumenya ivanguramoko n'ingaruka zaryo ku bantu no kuri kominote.

- Gutangura isekeza ryo gukangurira abantu kumenya ivanguramoko n'ico twoshobora gukora.
- Gukorana n'abarongozi bo bazokwamamaza umugambi n'ibikorwa vyawo.
- Kwamamaza ubushakashatsi kw'ivanguramoko mu kurushirizaho kumenya ingaruka zaryo.

Tube uburorero bwiza mu kwirinda ivanguramoko.

- Gushigikira amabwirizwa n' amategeko ashira imbere ukwubaha n'ukungana ku Banyaustraliya bava mu bwoko n'imico yose.
- Gushiraho isite y'ibikoresho vyiza ku nyigisho yerekeye ivanguramoko, ufatiye ku rwaruka.
- Gukorana n'amashirahamwe mu bibanza nyamukuru mu gushigikira ibikorwa bidoma urutoke kw'ivanguramoko.

- Gushiraho ugufadikanya n'inzego za reta n'amashirahamwe ategamiye reta mu gushigikira ibikorwa vyiza ku nzego z'igihugu, z'intara n'iz'intango.

Gufasha abantu n'amakominote kuronka amakuru n'ibitabu ku vyerekeye ivanguramoo, kugirango biyumvemwo ukumenya ico bokora mu gihe ryoshika.

- Kwamamaza ibikoresho bifasha abantu n'amakominote kwivuna ivanguramoko mu mashirahamwe n'intwaro
- Gutanga amakuru ku bantu n'amakominote ageramiwe n'ivanguramoko ku kuntu bokingirwa n'ubutungane.

Gushira mu giro umugambi

Umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko Uzotanguzwa mu bicebice ku myaka itatu.

Kuva muri Mukakaro 2012: Tuzotanguza isekeza ry'ugukangurira abanyagihugu kumenya ivanguramoko.Tuzoshingira ku kwigisha abantu kumenya ivanguramoko hamwe n'ugutangaza ubushakashatsi muvyo ryica mu butunzi no mu mibano. Tuzoraba uko twoshigikira utwigoro dusanzwe turiho two kugabanya ivanguramoko n'ugushira imbere ubungane.

Kuva muri 2013: Tuzoshiraho isite y'ibikoresho vy'inyigisho irwanya ivanguramoko twongere dutangure gutororokanya ibikoresho vyiza bifasha abantu n'amakominote gufata ingingo zirwanya ivanguramoko. Tuzotangura gukorana n'amashirahamwe mu bibanza vyacu nyamukuru kugirango tubone inyifato nziza zo kugabanya ivanguramoko mu mashirahamwe no mu ntwaro.

Kuva muri 2014: Dukoresheje ibikoresho tuzoba twegeranije hamwe n'ivyo twikoreye, tuzokorana n'abo dufadikanije mu gufasha abantu n'amakominote kwivuna ivanguramoko.

Iinyuma y'iyo myaka itatu, umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko uzokwihwezwa.

Gira ucumara nawe

Ibiro vy'umugambi w'igihugu urwanya ivanguramoko

Iterefone: 02 9284 9600 canke 1800 620 241 (TTY)

Email: antiracismsecretariat@humanrights.gov.au

Web: www.humanrights.gov.au/antiracism

Ikibanza: GPO Box 5218
SYDNEY NSW 2001

Umurwi uharanira agateka ka muntu muri Australia uruzuriza abantu bagiriwe ikumirwa rifatiye ku moko.

Ku mpanuro za gusa kw'ikumirwa hamwe n'uburenganzira bwawe, canke ushaka kwitwara hamagara 02 9284 9888, 1300 656 419 (mu karere) canke 1800 620 241 (TTY).

Amakuru ku vyerekeye kwitwara canke kwishura ibirego aboneka kuri www.humanrights.gov.au.
Urashobora kandi kwandikira umurwi kuri complaintsinfo@humanrights.gov.au.